**REPUBLIQUE DU BURUNDI**

**PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE**
**Secrétariat Général de l'Etat**

# ITANGAZO RYA RETA Y'UBURUNDI KU BITERO VY'ITERABWOBA VYAKOZWE MW'IJORO RYO KU WA 25 RUSAMA 2021 MU GISAGARA CA BUJUMBURA

1. Kuri uyu wa kabiri, igenekerezo rya 25 Rusama umwaka w'2021, igihe c'isaha imwe z'ijoro, ibisasu ntezwantoke vyaratewe mu bibanza bine bitandukanye vyo mu Gisagara ca Bujumbura, ahantu hakunda kuba hari abantu benshi batekanye bariko barikorera ibikorwa vyabo vya misi yose. Ivyo bibanza na vyo ni mu gisagara hagati iruhande y'ahahoze hari Isoko nkuru ya Bujumbura, ku gituro c'imiduga yunguruza abantu mu Bwiza, aho banyweshereza ibitoro aho bita kuri Top One no muri karitiye ya Mutakura, kw'ibarabara rya cumi na kabiri. Twokwibutsa ko ivyo bisasu ntezwantoke vyaterewe ica rimwe, ivyo bikaba bigaragaza ko ivyo ari ibikorwa vy'iterabwoba.

2. Ibiharuro dufise ubu vyerekana ko ivyo bisasu bimaze guhitana abantu 2 bitavye Imana, abantu 57 bakomeretse, muri bo 4 bakaba bababaye cane. Umwe muri abo babisha yarakomerekejwe n'igisasu yari afise aca arafatwa. Amatohoza ariko arakorwa kugira ngo umwidondoro wiwe n'abo bakorana umenyekane neza, icabibatumye, imvo n'imvano y'ivyo bikorwa vy'iterabwoba.

3. Reta y'Uburundi irateye ivyatsi ivyo bikorwa bigayitse vy'iterabwoba kandi yiyemeje kubirwanya yivuye inyuma. Reta y'Uburundi irahojeje imiryango yabuze kandi yiyemeje kuyiba hafi muri ibi bihe bigoye irimwo. Yiyemeje kandi kuba hafi abakomeretse yongera ibipfuriza gukira n'ingoga.

4. Twomenyesha ko ivyo bitero bitiyadukije ahubwo vyateguwe kuko vyabaye mu gihe mu Burundi hariko habera inama igira 51 y'Umurwi w'Abahinga Mpanuzwajambo w'Ishirahamwe Mpuzamakungu ONU ujejwe ibibazo vy'umutekano muri Afirika yo hagati, aho iyo nama yasozerewe Uburundi butowe ngo burongore ibiro vy'urwo rwego. Nta gukekeranya ko ivyo bitero vyabaye mu ntumbero yo gucafuza ishusho nziza Uburundi bugezeko mu bijanye n'amahoro n'umutekano.

BN

5. Amatohoza ariko arakorwa arashobora kuzokwerekana isano riri hagati y'ibitero biherutse kuba mu misi iheze mu ntara ya Mwaro na Muramvya.

6. Reta y'Uburundi yiyemeje kurwanya yivuye inyuma ata guhesha iterabwoba iyo riva hose hamwe n'ivyo vyose vyoza bihungabanya amahoro n'umutekano w'Igihugu cacu. Ababitegura, ababikora n'ababashigikiye bazorwanywa bimwe bikomeye, abafashwe bacirirwe imanza. Reta y'Uburundi isavye Abenegihugu kubandanya bafatanye mu nda, ntibacanemwo, babandanye ibikorwa vyabo vy'iterambere.

Bigiriwe i Gitega, ku wa 26 Rusama 2021

UMUNYAMABANGA MUKURU WA RETA

**Prosper NTAHORWAMIYE**